# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije

# Intango y'Umubabaro w'Umwana w'Umuntu



Yanditswe na: Edward Hughes
Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus
Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.
Isobanurwa mu Kirundi na:
Rémy Christian NTIRURIKURE
Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

BFC
PO Box 3
Winnipeg, MB R3C 2G1
Canada

©2014 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.


IMANA YAREMYE VYOSE! Igihe Imana yarema umuntu wa mbere, Adamu, yabaye mw'Ishamba rya Edeni n'umugore wiwe, Eva. Bari bafise umunezero wuzuye mu kubaha Imana hamwe n'Ubwiza bwayo gushika umusi umwe ...



"Mbega Imana yarababwiye kutarya ku biti vyose?" inzoka ibaza Eva. "Turashobora kurya ku vyamwa vyose kiretse kimwe," arishura. "Nitwarya canke tugakora kuri kirya camwa, tuzopfa." "Ntimuzopfa," inzoka iritwengera.



"Uzoca uhinduka nk'Imana." Eva yifuza ca camwa co kuri ca giti. Yumviriza ya nzoka aheza ararya ca camwa.

Inyuma y'aho Eva agararije Imana, aca ajana Adamu kurya ca camwa nawe. Adamu yari gutegerezwa kuvuga, "Oya! Singarariza Ijambo ry'Imana."





Igihe Adamu
na Eva bamaze gukora icaha,
bose uko ari babiri bamenya ko bari gusa.
Bafatanya amababi y'umusukoni bayikoramwo
agahuzu, barifuka, baraheza baranyegera mu
gisanze, bihisha ubwiza bw'Imana.

Mu kayaga ko ku mugoroba Imana iza mw'ishamba (rya Edeni). Yari izi ico Adamu na Eva bakoze. Adamu ashavurira Eva. Eva ashavurira inzoka. Imana ivuga, "inzoka iravumwe. Umugore azogira ububabare igihe avyara abana." "Adamu, kubera ko wakoze icaha, isi iravumwe izokwama amahwa n'imigenge. Uzokora uruhe kandi ubire akuya kugira uronke ivyo urya ku musi ku musi."





Imana ikura Adamu na Eva muri rya shamba ry'igitangaza. Kubera ko bakoze icaha, baca batandukana n'Imana itanga ubugingo!



Imana irema inkota yaka umuriro kugira ibigizeyo. Imana itegura impuzu mu nshato iha Adamu na Eva. Imana yakuye inshato hehe?

Muri ico gihe, umuryango wari uvutse kuri Adamu na Eva. Umuhungu wabo wa mbere, Kayini, yabaye umurimyi. Umuhungu wabo wa kabiri, Abeli, aba umworozi. Umusi umwe Kayini azanira Imana ivyimburwa bimwe bimwe nk'ishikanwa. Abeli azana intama nziza zirengeye urugero nk'ingabirano ku Mana. Imana ihimbarwa n'ishikanwa rya Abeli.



Imana ntiyanezererewe ishikanwa rya Kayini. Kayini araheza arashavura cane. Ariko Imana iravuga, "wokora ibigororotse, mbega ntiwokwemerwa?"



Ishavu rya Kayini ntiryamuvamwo.  Haciye igihe, bari mu mirima, agwa kuri Abel araheza aramwica!



Imana ibwira Kayini, “mweneso, Abeli, ari hehe?” “Sinzi,” Kayini arabesha. “Mbega mbaye umwungere wa mwene data?” Imana ihana Kayini mu kumwaka ububasha bwo kurima, iraheza imugira inyererezi.



Kayini ava mu bwiza bw'UHORAHO. Yubakana n'umukobwa wa Adamu na Eva. Bagira umuryango. Mu gihe gito, abuzukuru n'abuzukuruza ba Kayini bakwira igisagara yatanguje.



Muri ako kanya, umuryango wa
Adamu na Eva uragwira ningoga.
Muri iyo misi, abantu babaho igihe
kirekire gusumba muri ino misi.



Igihe umuhungu wiwe Seti yavuka, Eva aravuga, “Imana yampaye Seti ngo asubirire Abeli.”  Seti yari umuntu yubaha Imana abaho imyaka 912 kandi avyara abana benshi.




Mw'isi, abantu bahinduka ibigaba nk'uko uruvyaro rwagenda rukurikira urundi. Impera n'imperuka, Imana ihitamwo guhonya umwana w'umuntu hamwe ibikoko n'inyoni vyose hamwe. Imana iricuza icatumye irema umuntu.
Ariko umuntu umwe yarahimbaye Imana …



Uyo muntu yari Nowa.
Umugabo yamuka kuri Seti,
Nowa yari umugororotsi
kandi ata gasembwa.
Yagendana n’Imana.

Yarongera akigisha abahungu
biwe batatu kwumvira Imana.
Ubwo Imana itegura gukoresha
Nowa mu buryo bw'igitangaza
kandi budasanzwe!



Intango y'Umubabaro w'Umwana w'Umuntu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 3-6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

# Iherezo

2

60

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16